ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU " ITEKA "


# ICEGERANYO C'UKWEZI

## "Iteka n'Ijambo "

Uwo uri wese ubahirizwa

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

# ICEGERANYOC'ISHIRAHAMWERIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI «ITEKA» KU NYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI MURI GITUGUTU 2025






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w,ishirahamwe Iteka,yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 26Gitugutu2025, abantu bashika 845 babuzwe irengero nibo ishirahamwe iteka ryatohoje,n'imiburiburi 85 barasubiye kuboneka abandi 760 ntibaraboneka.Umugwi w'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ukorera ku manyuruzwa(GTDFI) umaze kumenyesha Reta yuBurundi nimiburiburi abashika 252[1].***

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54

**Ishirahamwe ITEKA :**

- ***Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),***
- ***rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zi-na muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.***
- ***Umuhari Iteka ugizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32***

## IBIRIMWO

0. INCAMAKE Y'ICEGERANYO........................................................................1

I. ISHUSHO..................................................................................................2

I.1. ISHUSHO YA POLITIKE..................................................................................2

I.2.ISHUSHOY'UMUTEKANO.................................................................................3

I.3.ISHUSHO Y'UBUTUNGANE..............................................................................4

I.4. UMWIHWEZO W'INTWARO................................................................................4

I.5.ISHUSHOY'UGUFASHANYA................................................................................5

I.6.ISHUSHO Y'IBIDUKIKIJE..............................................................................5

II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE...........................................6

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA........................................................................6

II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE.................................................................................6

II.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO..........................................7

II.2.UBURENGANZIRA BW'UGUSONERANIRA MURI VYOSE....................................9

II.2.1 UKUBOREZA IGUFA,UGUPFUNGWA HAMWE N'AYANDI MABI YO GUFATWA BUNYAMASWA................................................................................9

II.2.2. AMABI AHAGAZE KW'IHOHOTERWA RIFATIYE KU GITSINA/ UGUFATA KU NGUVU..................................................................................10

II.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEKEMVYO............................................11

II.3.1.UGUHAGARIKWA HAMWE N'UGUPFUNGWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO...............................................................................................11

III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA..............................12

III.1.IHUNGABANA RY'UBUTUNZI........................................................................13

III.2. UBURENGAZIRA KUNDERO..........................................................................13

III.3.UBURENGANZIRA KUMAGARA......................................................................14

IV.UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA ......................................................16

## *IMPFUNYAPFUNYO*

***AGNU*** *: Inama nkuru y'ibihugu vyiyunze*

***BRARUDI*** *: Ishirahamwe rihingura ibinyobwa mu Burundi*

***CEEAC*** *: Ishirahamwe ry'ubutunzi bw'ibihugu vya Afirika yo hagati*

***CNDD-FDD*** *: Inama y'igihugu iharanira intwaro rusangi-urunani rugwanira intwaro rusangi*

***CNIDH*** *: Umugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu*

***CNL*** *: Inama y'igihugu iharanira umwidegemvyo*

***DESC*** *: Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama*

***ECOFO*** *: Ishure shingiro*

***FDLR*** *: Urunani ruharanira intaro rusangi yo kubohoza u Rwanda*

***FRODEBU*** *: Urunani ruharanira intwaro rusangi mu Burundi*

***ISABU*** *: Ikigo kijejwe uburimyi n'ubworozi mu Burundi*

***OBPE*** *: Ikigo kijejwe gukingira ibidukikije mu Burundi*

***ONU*** *: Ishirahamwe ry'ibihugu vyiyunze*

***OPJ*** *: Inyamiramabi*

***PNB*** *: Igipolisi c'igihugu c'u Burundi*

***RDC*** *: Repuburika iharanira intwaro rusangi muri Kongo*

***SNR*** *: Igendereza ry'igihugu*

***TGI*** *: Sentare nkuru*

***UPRONA*** *: Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu*

***VSBGs*** *: Amabi afatiye ku gitsina*

## *0. INTANGAMARARA Y'ICEGERANYO*


Iki cegeranyo c'ukwezi kwa Gitugutu 2025 mu ruvange rw'ivyegeranyo vyo kundwi kundwi Iteka n'Ijambo nomero 494 gushika 489. Iki cegeranyo kigira umwihwezo wa politike, umutekano, ubutungane, intwaro, ugufashanya hamwe n'uwo ibidukikije vyaranze iki kiringo. Kiragaruka kandi ku gateka ka zina muntu no muri politike hamwe no ku burenganzira ku butunzi, imibano n'imico kama. Iki cegeranyo kirangizwa munyuma n'incamake hamwe n'impanuro.

Kuri ubwo, inyifayo y'agateka ka zina muntu no muri politike muri kino kiringo c'iki cegeranyo imeze ugukwirikira : abantu 37 barishwe harimwo 27 batowe ibiziga, umuntu 1yaraborejwe igufa, abantu 9 babuzwe irengero harimwo umwe yasubiriye kuboneka, 11 barahohotewe bifatiye ku gitsina harimwo abakobwa 7 bafashwe kunguvu muribo abana 6 abandi bantu 48 barahagaritswe kandi barapfungwa biciye kubiri n'amategeko. Twomenyesha ko muri abo bantu bahagaritswe harimwo 40 bahagaritswe mugihe c'isaka iBujumbura muri karatiye Rumuri "Iyahoze ari Nyakabiga" kandi bapfungiwe muri "BSR".

Imbonerakure, abapolisi, abo muntwaro hamwe n'abo mw'igendereza n'abasirikare baradomwako urutoke nk'abikekwako menshi muri ayo mabi y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu n'ubwicanyi.

### *0.1. Ikigara c'amabi ahungabanya agateka ka zina muntu no muri politike*

***Igicapo 1 : Ikigara cerekana amabi ahanini yibonekeje mw'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu no muri politike mu Burundi muri kuno kwezi kwa Gitugutu 2025***





Ikigara kiri aho hejuru cerekana imigwi 5 y'amabi mu ntara 5 zitandukanye z'igihugu murizo Bujumbura yahuye n'amabi kenshi ku gateka ka zina muntu aho haharurwa incuro 65 igakurikirwa na Gitega ahavugwa incuro 16 na Burunga na Butanyerera incuro 10 imwe imwe hagahereza Buhumuza ku ncuro 6.

Kuri ubwo,muri kuno kwezi kwa Gitugutu 2025 kwa kino cegeranyo,ishirahamwe Iteka ryaharuye 107 bagize ingorane zo guhohoterwa ku gateka kabo no muri politike ku butaka bw'igihugu cose. Ivyo bivugwa ku mahohoterwa bivugwa ku mabi akorerwa agateka ka zina muntu bigabuye ahanini ugukwirikira : abantu 37 bishwe, abantu 8 banyurujwe,11 bakorewe

amabi afatiye ku gitsina harimwo abakobwa bafashwe kunguvu, umuntu 1 yaborejwe igufa hamwe na 48 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko. Twomenyesha abantu 2 bakubiswe bakongera bagakomeretswa bikomeye n'abantu bataramenyekana boba ari urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi kubwo amakuru twatororokanije.

***Igicapo 2 : Ikigara cereka ahanini abagirizwa yo guhohotera agateka ka zina muntu no muri politike yabonetse mu Burundi mu kwezi kwa Gitugutu 2025***




Kubw'ikigara, ku mabi yatororokanijwe yose muri kino kiringo ca Gitugutu 2025, ivyo ukwihanira vyibonekeza kenshi ku ncuro 21 bigakurikirwa n'ivyakozwe n'abataramenyekana ku ncuro 12. Abapolisi bakoze amabi incuro, igendereza incuro 6, Imbonerakure incuro 7, ayindi migwi incuro 8 zagirizwa abasanzwe harimwo abadandaza, amabi yo munzu harimwo ayafatiye ku gitsina.

# *I. UMWIHWEZO*

## *I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE*

Ukwezi kwa Gitugutu 2025 mu Burundi kwaranzwe n'icuka kibi ca politike, bivuye ku bintu vyinshi. Mu ntara zo mu buraruko, ibintu vyari bidatahuritse, nko kwinjiza abasirikare mu kinyegero. Mu ntara ya Gitega, iKarusi, abatwara Imbonerakure mu ma zone haciye ukwezi batanguje, umugambi wo kurondera urwaruka, babemerera kwinjira igisirikare atanoguhamagara ngo hatangwe akazi, nk'uko vyahora bikorwa. Icabona caho cigana ko cabonye uwutwara Imbonerakure zo muri zone Buhiga ariko ashira ifoto ya karangamuntu kuri karangamuntu ifotoye, arungika gutyo imyidondoro iGitega. Amakuru amenyesha ko umukuru w'Imbonerakure yari afise kubwo iwe imyidondoro 35 imeze uko. Isoko ryegereye CNDD-FDD rivuga ko iryo yinjizwa ryari mugihugu cose, hagasabwa ifoto y'ikarata karangamuntu gusa hamwe n'agafoto ata n'ibindi. Ibutanyerera, muri komine Kirundo, iyinjiza ridaciye kumugaragaro ry'intwaramiheto ryakozwe n'Imbonerakure, zabanguka mu gutora imyidondoro yo guha uburenganzira aba Hutu gufata ubwoko butaribwo, bigatuma bisongera isibe n'ivyahuha bigahuhuka.

Kuwa 13 Gitugutu,uBurundi bw'ibuka igandagurwa rw'umuganwa Louis Rwagasore n'inkuka y'imisa yabereye kw'isengero katorika ryo mu cankuzo,aho umusaseredoti Ndikuryayo Antoine avuga ijambo rya Rwagasore ku musi wo kwikukira, ashimika ku kamaro k'ishaka ry'urwaruka. Uguhimbaza isabukuru rya 64 ry'igandagurwa ryiwe vyitabwe n'abarongozi benshi, bashira ingori z'amashurwe ku cibutso c'ukwikukira. Buramatari na musitanteri, nk'uko vyaboneka gake muri kahise, bashize inguvu hamwe kugira bamwibuke, bikerekana ko bashize hamwe. Kuri ubwo, ukuri kuguma kutaboneka, kubera ijambo ry'urubanza ryavuga amahoro hamwe n'umutekano biteye amakenga imbere y'amabi abandanya.

Ku wa 17 Gitugutu, umukuru w'igihugu yagize urugendo ruja mu Kirundo, yerekana ko kazoza k'igihugu mu butunzi ari keza mugihe yariko ashikiriza musitanteri mushasha. Ariko, muri ico gihe c'umwizero,isanganya ribabaje ryaradutse, aho umugabo yishe umugore wiwe.Amajambo ya politike yarakurikiranye, bashimika ku butwari bwa CNDD-FDD. Evariste Ndayishimiye, mu birori vyo kwimika, yarakariye abatavuga rumwe na Reta yivuye inyuma, abahamagarira kuza mu mugambwe wiwe.

Tukiri muri Gitugutu, iMuyinga musitanteri yerekanye umugwi utavanze, abaserukira abandi yashizeho bose bava mu mugambwe umwe, ukwerekana ivyo bikeka nko kutubahairiza ibwirizwa shingiro hamwe n'amategeko yo gusabikanya ubutegetsi. Mu nyuma, ibirori vy'isabukuru rigira 32 ry'igandagurwa rya Ndadaye mu Cibitoke vyagenze neza ariko abantu bari bake, abanyagihugu baranegura ibibatuma gutembera bafata bafata ko bibatuma bikura ku dukorwa twa misi yose.

Mu gusozera, muri ino mpera ya Gitugutu, icuka co kutihanganiranira muri politike kirahari, nk'uko biserurwa n'ibara ryo ku mutumba wa Giharo, aho umupfasoni Capitoline yakubiswe buyoka kubera ukutumvikana n'umunywanyi wa CNDD-FDD. Iryo bara ryerekana ingendo yo kudahana yiganje muri komine Musongati, aho ihohoterwa rigiririrwa abatari mu mugambwe uri ku butegetsi ryabaye ndanse, bigatuma abanyagihugu bicwa n'ubwoba.

### *I.2. ISHUSHO Y'UMUTEKANO*

Muri Gitugutu, umutekano mu Burundi waratitutse ku bintu biteye amakenga. Ikarusi, intara ya Gitega, ubusuma bwinshi bwo mwijoro bwaradurumbanije abahaba. Hagati yo ku wa 30 Nyakanga no ku wa gatatu Gitugutu 2025, inzu 5 zaratewe, kandi abasuma barivye ibintu vy'agaciro hamwe n'ibifungurwa. Kw'isoko rya Buhiga, amazu 3 y'ubudandarizo nayo nyene yaribwe. bitera uruhombo runini ku badandaza. Abarongozi nta ngingo n'imwe iboneka bafashe, n'aho imyidogo y'abahaba yari myinshi ku mugwi w'Imbonerakure zimera nk'izikizura kubwo umutekano.

Mu ntara ya Buhumuza, Buramatari Denise Ndaruhekere yaremeje, mu nama,ko atazokwihanganira abasaba ibivi vyamaze gutangwa na Reta. Yarateye intege abatware baho ngo bahimirize abanyagihugu kuri ico yongera arashimika ku kamaro ko kuronka uruhusha rwo kubaka ruvuye mu kigo kijejwe ivy'inyubako. Icuka kibi iMuyinga, aho abakozi ba kaminuza yegamiye Islam, iMuyinga (ISIM) iriko iterabwoba. Umuyobozi hamwe n'uwujejwe ivyigwa baratinya ibitero vy'Imbonerakure, vyunyuwe n'ubukene bw'amahera mu mugambi w'ubuvuzi kandi itohoza ririko riraba.

Ku wa 13 Gitugutu, ingingo zarafashwe kugira hamenyekane ababa iMutambara bafatwa nk' "abatazwi", bigamije kugwanya umutekano muke uguma wunyuka kubera amabi adasiguritse. Mu gisata c'indero, Green Hills International College yaragize ingorane aho abanyeshure 25 babajijwe ku bijanye n'umuriro. Ku rundi ruhande, umuyobozi w'ishure rikuru ry'imwaro I yarateye uruhagarara mugutegeka abanyeshure ngo bakore mu murima.

Igipolisikandi carasatse iKaruss no mu Rutana kugira kirwanye urudandazwa rw'umwavu rutarekuwe hamwe n'ibirwanisho batunze batabirekuriwe, ariko ivyo bikorwa vyagwije uruhagarara. Icuka c'ubwoba n'akajagari mu Burundi,vyonona umutekano w'abanyagihugu, bahamagarira kugarukirwako kugira hagaruke umutekano inyuma y'indyane hamwe n'ubwicanyi bwakoze ku miryango ataco izira.

### *I.3. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE*

Muri Gitugutu2025, uBurundi bwagize ibibazo vy'ubutungane bikomeye. Ku wa 7 Gitugutu, muri sentare nkuru y'iNgozi, ukwumvirizwa k'umumenyesha makuru Muhoza Aline Sandra biteye amakenga ku buhinga. Abunganizi biwe baranegura ivyakozwe na sentare isubiramwo imanza ya Bujumbura bakanavuga ko yanapfunzwe ata mutahe. Naho bashikirije ivyabo, umushikirizamanza agerageza kugumizaho ivyo yagirizwa, atumirira sentare gushira urubanza mu mwiherero. Imisi 2 inyuma yaho, mu Rutana, Eric Niyonzima yahanishijwe umunyororo w'imyaka 2 yagirizwa kudandaza abana, mugihe Muhoza yagumye apfunzwe n'aho hibonekeje ubunenge mu kuburanishwa. Ku wa 14 Gitugutu, bamwagirije ibindi bishasha, bihungabanya agateka kiwe.

Ku wa 17 Gitugutu, mu Rutana, hibnekeje uruhagarara rw'amoko, bikibutsa ivyabaye vy'agahomerabunwa muri kahise. Tharcisse, umushirikiriza manza, aravuga inyifato itabereye y'Imbonerakure akanatanga icokorwa. Akanya gahasha k'umubonano karategekanijwe ku wa 27 Gitugutu.

Ku wa 23 Gitugutu, akajagari karadutse iGitega, aho igipolisi cafashe abanyeshure 25 aho kw'ishure Green Hills College hahiriye. Imiryango ibwirizwa kuriha ivyononekaye, ariko uruhagarara ruravyuka kuvyerekeye ukorohereza bamwe bamwe mu bavyeyi. Umushikirizamanza mukuru ategeka kurungika abanyeshure mu mabohero atandukanye, bigatuma barekurwa kandi bagatahanwa.

Ku wa 2 Gitugutu, sentare nkuru yo mu Rutana yahanishije Alexis KWIZERA na Ferdinand MANIRAKIZA umunyororo w'amezi 6 kubera badurumbanije umutekano w'ubutunzi, mugihe umupolisi umwe yirukanwa burundu kubera yishe Nishimwe Faustin.

Ku wa 27 Gitugutu, urwaruka rwa CNDD-FDD rwarahagaritswe ku mutumba Mwange, banuganugwa ko bagize urunani rwo kurwanya umukuru w'umutumba. Uguhagarikwa kwabo biraduza uruhagarara muri politike. Mu gusozera Nibizi Eric, umwigisha wa bibiriya, ari mw'ibohero kubera gufata ku nguvu umunyeshure, avuga ibibazo ku butungane mu Burundi. Icuka c'amakenga n'uruhagarara bigumaho mu gihugu.

### *I.4. UMWIHWEZO W'INTWARO*

Mu burundi, ukwezi kwa Gitugutu kwaranzwe n'uruhagarara kuvyerekeye intwaro, nko ku ngorane zo gutanga umwavu iKarusi, Gitega. Abarimyi babuze umwavu mugihe iyimbura rigmba rigere, bamwe baja bari mw'iyimbura mugihe abandi batararonka umwavu basavye. Ivyo biratuma umuntu yibaza ishingan ya Reta ku banyagihugu. Iruhande, ubunenge mw'itangwa ry'isukari iMuramvya buribonekeza, aho Imbonerakure zicungera ibirindiro igurishirizwako kandi zikemerera abanywanyi ba CNDD-FDD bonyene ko baronka isukari, bigatera ishavu ryinshi abirukanywe.

Iyindi ngorane yerekeye itangwa ry'ubuzi ku bigisha ku Mugere, aho ubunenge bwibonekeje na NTUNZWENIMANA Salvator, uwahoze arongoye Imbonerakure, bijanye n'ivyo bagira biteye amakenga mu gutanga akazi. Ubuzi bwareta bwaracereza ibintu inyuma y'aho haziye abarongozi bashasha, bigatuma bigorana kuronka ivyangombwa bitangwa n'intwaro kandi ku kiguzi kinini. Ku rubibe rwa Malagarazi na Tanzaniya, inkukura yatewe n'imvura iteye amakenga, aho abatanzaniya bagirizwa kwigarurira amatongo.

Ku wa 6 Gitugutu 2025, sentare nkuru yo mu Rutana yahanye abantu 15 bagirizwa gusamura urugomero rw'ishirahamwe SOSUMO,kw'itegeko ry'abasirikare ba Tanzaniya. Ku rundi ruhande ivy'iMusongati birayangara ku banywanyi ba UPRONA, aho bagerageje kwica

Usuel Ntakarutimana hamwe n'ukudahana biganje ku bagizi ba nabi ba politike. Imyidgo ni myinshi kuri Cyriaque Komezurugendo,yagirizwa kunyuruza imbuto z'ibigori.

Ibihano vy'agahotoro mu Kirundo kubera ukutitaba inama bizana ishavu, mugihe umushikiranganji w'ubutunzi agerageza guteza imbere ugukorera ku mugaragaro n'ubuhinga bushasha bwo gushikiriza ingorane, yahuye n'intambamyi nk'igiturire. Abarimyi bo mu Kirundo bafise ingorane zo kubura amase, kandi kw'ishure rikuru rya Mwaro,umuyobozi atangisha amahera yo kwimosha atarekuwe n'amategeko, bikagwiza umubabaro mu banyeshure. Ubw burenganyo bwose bukoranye bwerekana ko atacizere c'impinduka mu gihugu.

### *I.5. UMWIHWEZO WO GUSHIGIKIRANA*

Muri gitugutu 2025, ugushigikirana mu Burundi vyari biraje ishinga cane cane mu mpunzi z'abanyekongo zaharose ubuhungiro, hafi abanya kongo 100.000 nko mu bitindiro nk'ikibuga ca Rugombo hamwe n'inkambi ya Musenyi. Izo mpunzi zahura n'ibihe bibi, bakabura ubufasha mu buvuzi,,mu ndero,kandi barakorerwa amabi afatiye ku gitsina. Abanyamurenge, utugwi tw'abanya Kongo, barakumigwa bidasanzwe. Benshi baba mu bizu bidaheze ata mazi meza, kandi ikirindiro ca Musenyi cari gifise rusehabaniha imwe.Hafi abana 9.000 ntibiga kubera amasomero atari akwiye.

Amabi akorerwa abagore n'abana akorwa kenshi n'abo mu nkambi canke imigwi yabitwaje ibigwanisho. Benshi mu mpunzi babayeho kubera imfashanyo yo ku gihamana, abanyamurenge kenshi bakinubwa kandi bakanuganugwa ko boba bafise uruhara mu ndyane. Kuri uwo mubabaro, amashirahamwe yitaho abantu nka Fondation Denise Nyakeru Tshisekedi yaratanguye gufasha, atanga imfungurwa mu mpunzi, nk'iMusenyi. Abaserukira ibihugu bishize hamwe nabo nyene baritavye utwo twigoro. Uwuserukira ishirahamwe HCR, Brigitte Eno Mukanga, yaravuze ingorane zigumaho, nko ku miryango itagira amazi meza kandi abana bataja kw'ishure. Umuhari Iteka yasavye ko boronswa inyubako nziza mu makambi hamwe no gukingira aBanyamurenge, abagore n'abana, bongera bibutsa kubemera nk'impunzi kugira babone kuronka ubufasha bukenewe.

### *I.6.UMWIHWEZO KU BIDUKIKIJE*

Ku vyerekeye ibidukikije, uBurundi muri Gitugutu 2025 bwarahuye n'ibintu bibabaje vyateye ingorane mu burere bwakozweko. Ku wa 2 Gitugutu. imvura nyinshi cane hamwe n'umuyaga w'igihuhusi vyarakubise ikomine ya Makamba mu ntara ya Burunga. Iyosegenya yatumye hasambuka vyinshi, amatongo yarahuye n'umwuzurira kandi abantu basigara mu kangaratete. Mu ntango haharuwe 2 bahasize ubuzima, n'inzu 117 zabomotse gose. Ibirasi 2 vy'ishure shingiro Gashonge navyo nyene vyarabomotse, ivyongereje umubabaro w'abanyagihugu bahaba. Ibitungwa navyo vyarakozweko kandi ubuhombe bunini bwarahabaye kuri benevyo.

Ikomine ya Rutana nayo nyene yarakozweko, nahonyene ivyononekaye bitaramenyekana. Muri uwo mwanya, abatware bariko bahimbaza umuzo w'umusitanteri mushasha wa Nyanza, hari umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye. Muri ico cuka c'icaduka, abantu bakozweko basaba imfashanyo, bihebuye ko batagira aho bakika umusaya babone gutangura gusanura.

Irindi sanganya ribabaje ryabaye kuwa 28 Gitugutu 2025, igihe hamenyekana ko umwana w'umukobwa yitavye imana kubera inzu yabomotse ku mutumba Musave, mu gisagara na komine Kayanza, intara ya Butanyerera. Ivyo vyabaye ku wa 26 Gitugutu, aho imvura

y'isehenya yagwa mu Kayanza.Agakobwa k'imyaka, umunyeshure kw'ishure shingiro Murago, yahitanywe n'iryo sanganya mugihe yari kuramutsa umuryango wiwe. Inzu yarimwo yaratwawe kubera ibihuhusi. Kuri uwo musi ibirasi 5 vy'amashure Nkonge na Gitwa,ari iMuruta na Nyabihogo, navyo nyene vyarasambutse cane. Abaserukira amashure, mu mubabaro, basavye vyihuta imfashanyo abarongozi, bashimika ko vyokorwa vyihuta kugira hasanurwe amashure kandi habe icuka ciza cotuma abanyeshure biga. Vyongeye, abandi bana 3 barakomeretse igihe ibisenge vy'ibirase vyabo vyatwagwa n'igihuhusi kandi baruhiye kubajana ku kigo c'ubuvuzi kugira baronke ubufashwa bukenewe.

## *II. AGATEKA K'ABANTU NO MURI POLITIKE*

Uburundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu ku vyo agateka ka zina muntu na politike(1965) kandi nk'imfatakibanza(1976) burundu ku wa 9 Rusama 1990, icatumye mu ntumbero yo kuyashira mu ngiro, uBurundi bwafashe ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo ku wa 7 Ruheshi 2018 (Ibwirizwa rikuru) ku karongo karyo 19 rivugako amategeko yose yemejwe akongera agashirwako umukono mu mategeko mpuzamakungu yashizweko umukono bikaba biri mu iryo bwirizwashingiro, inyandiko zibishira mungiro zarashizweho nko mw'itegeko mpana vyaha ryo ku wa 29 Kigarama 2017 hamwe n'itegeko ririgenga ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi vyarashizweho.


### *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

#### *II.1.1. U BWICANYI BUTEGUWE*

Muri kino kiringo ca kino cegeranyo kuri bose abantu 37 bishwe vyateguwe nibo bagaruwe n'umuhari Iteka ku butaka bw'igihugu cose, muri abo bishwe 17 ni abagabo, abandi 12 ni abagore, abana 7 b'inzoya igitsina kitaramenyekana.

Muri abo 37 bishwe, abantu 2 bishwe n'abapolisi b'igihugu, abantu 33 bishwe n'abicanyi bataramenyekana baca batorwa ibiziga, umuntu 1 yegukiye igipolisi, 8 nabo ni inzoya zishwe.

Uko bikurikirana, intara zakozweko gusumvya izindi ni Bujumbura ku bantu 16, gitega ku bantu 10 na Burunga ku bantu 5. Butanyerera na Buhumuza zirakwirikira uko nyene ku bantu 4 na 2 bishwe.



**Uburorero buvyerekana :**

**Ak1** : Ku wa 18 Gitugutu 2025, umugabo umwe yitwa Faustin Nishimwe, aba ku mutumba Gasozo, zone Mageyo muri komine Mubimbi mu ntara ya Bujumbura; yarishwe n'umupolisi w'uBurundi.

Kuri uwo musi, Faustin Nishimwe yari yafashe ingingo yo kumanuka mu gisagara ca Bujumbura hagati kugurisha impene yiwe. Nk'uko yari kumwe n'uwo bavukana kandi bashitse hafi y'ikirimba c'umukuru w'igihugu, barahagaritswe n'umupolisi yaborewe. Uwo nawe ya yabategetse kumuha igitasi (c'impene).Ni ho Faustin yagerageza kwisigura avuga ko iyo mpene ari rwiwe kandi yayororeye muhira iwabo.

Umupolisi ntiyashatse kumwumva. Ahubwo yafashe ingingo yo kugumya iyo mpene mu kuyitwara mu gashamba kari hafi y'ico kirimba. Mugihe yariko akwirikira uwo mu polisi amubaza iyo atwaye impene yiwe, umupolisi yaramurashe amasasu 4 mu mutwe amaze kugwa hasi kubera inkoni uwo mupolisi nyene yari yamukubise imbere yo gukora iryo bara.Yaciye apfa ubwo nyene.

Uwo bavukana yarokowe n'akagwi k'abasirikare bari mu micungararo, kubwo isoko ryacu.

**Ak2 :** Ku wa gatandatu 25/10/2025, hafi igihe c'isaha 12 n'igice z'igitondo ikiziga c'umugore yitwa Jeanine Ndereyimana caratowe muri karatiye Magarama, kw'ibarabara rya 2, muri komine n'intara ya Gitega. Kubwo ivyambere vyashikirijwe n'umukuru wa karatiye Magarama, umushingantahe Nzibarega Leandre, uwishwe yoba yoba yapfuye kubera ibinyobwa yanyoye bitemewe n'amategeko, kubera, kubwo iwe, yoba yari yaborewe cane buca atorwa ikiziga.

Ariko, ayomakuru yarahakanywe n'abantu benshi bo muri karatiye, bemeza ko babonye ibikomere kw'izosi ry'umuhisi. Abo babibonye ahubwo banuganuga ko ari ubwicanyi, bushobora kuba bwakozwe babanje kumufata ku nguvu, mugihe umugore yibana kandi hari haciye imyaka 15 yahukanye.


Ivyabona n'aho biri uko biremeza ko umuhisi yanywa kenshi ibinyobwa biborera, ariko barashimika ku makenga y'inkomoko y'urupfu rwiwe.

Umuhisi, avuka ku mutumba Kiremera, zone Giheta,muri iyo ntara nyene ya Gitega, yaribana mu Magarama. Kumufuba vyabaye kuri uwo musi nyene kw'itegeko ry'inyamiramabi Iradukunda Jean Claude hamwe n'uwutwara kartiye.

### *II.1.2. ABANTU BANYURUJWE CANKE BABUZWE IRENGERO*

Ibwirizwa shingiro ry'uBurundi rirarekurira abantu bose guciribwa urubanza kumwe, hamwe no kumvirizwa no kuburana mu kiringo kizwi, nk'uko biri mu gace ka 38.

Ishirahamwe Iteka ryaharuye abantu banyurujwe, abagabo 6 hamwe n'abagore 2, 4 mu ntara ya Bujumbura na 2 mu ntara ya Buhumuza, Gitega na Butanyerera biba 1 kuri imwe imwe. Mu bagize izo ngorane, incuro 4 vyakozwe n'abakozi bigendereza bafashanije n'Imbonerakure hamwe n'abandi 3 begukira abicanyi batamenyekanye.




**Ubururero buvyerekana :**

**Ak1 :** Abagabo 2 bo kumutumba Gasebeyi, muri komine Mugina, intara ya Bujumbura, barahagaritswe kuwa 30 Gitugutu 2025 n'abakozi b'igendereza, bafadikanije n'Imbonerakure.

Kuva ico gihe, imiryango yabo ntigira amakuru yabo yuzuye ubwoba bw'uko babuzwe irengero muri karere. Abagabo babiri, Egide Nishimwe, umukuru w'umutumba, hamwe n'umubanyi wiwe Ndikumana, banyurujwe abantu benshi babona. Kubwo abo, abapolisi barakikuje inzu zabo imbere yo kubatwara mu ngendeshwa itwagwa n'umukuru w'igendereza muri komine Cibitoke. Imiryango, inyuma yo kurondera heshi mu birindiro vy'abapolisi, nta nkuru n'imwe barose ku vyababayeko. Amasoko amwe y'igiplisi avuga ko abo bagabo babiri bacuditse n'umuhari w'abarwanyi Red Tabara, icemezo ciyamizwa n'ababegereye, bemeza ko bari bavuye muri CNL kugira baje muri CNDD-FDD.

Imbonerakure imwe yari mu babahagaritse izana "amakenga" kuvyo kwera kwabo, ibidahumuriza imiryango yabo, bikeka akabi kabishe. Uko kuburwa irengero kuri mu rukwirikirane rw'amahagarikwa asa n'ayo yiganywe muri aya mezi iMugina, aho abantu benshi barafashwe ata nuko umuryango wabo umenya aho bari. Musitanteri wa komine, Anicet Saidi, yemeza ko yamenyeshejwe amahagarikwa, ariko atazi uwabikoze.Mu Gasebeyi, ubwoba buriganje. Abahaba, batinya guterwa ,baridoga amakenga yabo.

Abegereye ababuzwe irengero ntibihangana kandi basaba inyishu zabarongozi kuvyerekeye umutekano hamwe n'agateka k'abahagaritswe. Imiryango yizeye gusubira kubona abayo canke, n'imiburiburi, bamenye ivyababayeko. Abo babuzwe irengero baratuma abantu bibaza uruhara rw'abajejwe umutekano imbere y'abikekwa. Amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu asaba adahengeshanya amatohoza ku mahagarikwa aciye kubiri n'amategeko hamwe n'ugupfungira ahatazwi. Mukurindira, imiryango yo mu Gasebeyi batera akamo ku kumenyeshwa inkuru yose ishobora kubafasha gusubira gutora ababo babuzwe irengero.

**Ak2 :** Ku wa 1Gitugutu 2025, umukenyezi afise imyaka 43, yitwa Henriette Bayubahe, umugore wa Jonas Ruzuba, umwigisha kw'ishure shingiro Camazi II, yaranyurujwe aca araburwa irengero.


Kuva ku wa 1 Gitugutu 2025, hafi igihe c'isaha 12, Henriette Bayubahe yarasohotse kandi ntiyagarutse. Gushika ku wa 5 Gitugutu 2025,umuryango wiwe ntankuru ziwe ufise.

Uwo mukenyezi, nyina w'abana 5 kandi aba ku mutumba na zone Camazi, komine Gisagara, intara ya Buhumuza. Twomenya ko uwo yanyurujwe yagarutse muhira hafi isaha 2, ku wa 7 Gitugutu 2025. Umuravye, ku mubiri ni muzima ariko ntiyashatse kumenyesha aho yari iyo ndwi yose.

### *II.2. UBURENGANZIRA BW'UGUSHIRANAKO MURI VYOSE*

Ibwirizwa shingiro ry'uBurundi mu gace karyo ka 21 rivuga ko "Nta n'umwe ategerezwa kuborezwa igufa canke gupfungwa canke gufatwa bunyamaswa canke gukorerwa ayandi mabi." Kuri ivyo hiyongerako itegeko nomero 1/04 ryo kuwa 27 Ruheshi 2016 rikingira abahohotewe ridongora agateka k'abahohotewe kandi ritegekanya ingingo zo gukingira icubahiro muri vyose. Ivyo vyerekana neza ishaka ry'igihugu ryo gukingira agateka k'anyagihugu baco muri vyose.

### *II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA HAMWE N'AYANDI MABI YO GUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI*




Kuri bose, kuborezwa igufa haharuwe umwe n'umuhari Iteka ku butaka bwose bw'igihugu muri kino kiringo c'iki cegeranyo. Uwo yegukiye urwaruka rw'Imbonerakure mu ntara ya Bujum bura. Uwo yaborejwe igufa ni umusore ava mu muryango uhurikiye mu mugambwe UPRONA.

**Uburorero buvyerekana :**


**Ak1 :** Igikorwa c'ihohoterwa carabaye ku wa 14/10/2025 muri karatiye Maramvya (karatiye nshasha Mutimbuzi), komine Mutimbuzi, intara ya Bujumbura, aho umusore w'Imbonerakure umunywanyi wa CNDD-FDD, yitwa Simon, yagerageje guturira umunyagihugu mu kumusesako igitoro co mu bwoko bwa essence. Uwo yagomba aturirwe yari afise agatoro gakeya ko gukoresha ivyo munzu, yagirijwe na Simon urudandazwa rutarekuwe n'amategeko. Kubera ababanyi batebutse gutabara umuriro warazimye, bakiza gutyo ubuzima bwiwe, yaciye atwarwa kw'ivuriro kugira avurwe bikomeye.

Abanyagihugu, n'ishavu ry'ayo mabi,bashatse kwica uwo mwicanyi.Igipolisi cararashe hejuru kugira birukane abantu bongere bakureho Simon. Abajejwe umutekano bamenyesheje ko azokwirikiranwa n'ubutungane mugabo abanyagihugu bafise amakenga ku butungane, bibaza ko Simon adahanwa kubera asenzwe ari Imbonerakure.

Abahaba basaba ko ubutungane bwokora kandi Simon akavuza uwaturiwe, bakanahamagarira kurandurana n'imizi amabi akorwa n'Imbonerakure mu karare.

*II.2.2. AMABI AHAGAZE KW'IHOHOTERWA RIFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU*

Muri kino kiringo c'iki cegeranyo,umuhari Iteka waharuye abantu 11 bakorewe ihohoterwa rifatiye ku gitsina muribo abakobwa 7 bafaswe ku nguvu harimwo abana 6. Muri abo bagize ingorane, harimwo abagabo 3 hamwe n'abagore muribo abakobwa 7 bafashwe ku nguvu.Intara ya Bujumbura hamwe n'iya Gitega ziza kw'isonga nk'izakozweko imwe inyuma y'iyindi 4 na 3 bagize izo ngorane. Buhumuza irakwirikira ku bantu 2, Burunga na Butanyerera umuntu 1 kuri imwe yose.




Muri 11 bakorewe amabi afatiye ku gitsina/bafashwe ku nguvu baharuwe ku rwego rw'igihugu, rimwe vyakozwe n'abanywanyi b'Imbonerakure, rimwe bikorwa n'umupolisi, incuro bikorwa n'abigenga (nk'abadandaza, abo mu mazu, ababanyi b'ababikorewe) hamwe na rimwe hagaye gufatwa ku nguvu kubera kwihanira.

**Uburorero buvyerekana :**

**Ak1 :** Ku mugoroba wo ku wa 5 Gitigutu 2025, ku mutumba Mutambara, zone na komine Rumonge, Intara ya Burunga,H.M., afise imyaka 1 kandi avuka kuri uwo mutumba, yarafashwe ku nguvu na Leonidas Minani, afise imyaka 40, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD.

Kubwo amasoko yaho, uwikekwa ko icaha yoba yajanye umukobwa munzu imbera yo gukora ibara, kw'iterabwoba rikabije. Abihejeje, yoba yarasohotse kugira arabe hirya no hino, asiga agakobwa munzu. Ni muri ico gihe ababanyi, biketse ikitagenda neza, binyegeje kugira babirabe.

Baciye munyuma babona agakobwa gasohotse munzu. Ababanyi rero baciye bahagarika uwikekwa ko icaha bamutwara ku kirindiro c'abapolisi kihegereye. Uwo rero yaciye arungikwa muri komisariya ya polisi Rumonge.

Ku mukobwa, yajanywe ku kigo Humura kugira akingirwe indwara. Urubanza rw'ikibiriraho rwategerezwa kuba inyuma y'umutaga kuri uyu wa gatatu, ariko rwunguruј rijwe ku wa 15 Gitugutu 2025, uwuburana yashikirije ko afise icabona.


Ak2: Ku wa 11 Gitugutu 2025, ku mutumba Matongo muri komine Matongo y'intara ya Butanyerera, umukobwa afise imyaka 18 yitwa N.N, umukobwa wa N.Th na Ns.D, yarafashwe ku nguvu n'umupolisi yitwa Alfred.

Kubwo amakuru yaho, N.N yari amaze imisi mw'ibohero rya komine Matongo apfunzwe kubera amatohoza y'ubutungane inyuma y'aho yagirizwa ko yivye ibikoresho vyo munzu iBujumbura aho yakora  akazi ko munzu nk'umu yaya. Alfred umupolisi yararira ibohero kubwo ayo makuru nyene yarinjiye muri iryo bohero rya komine Matongo ry'abagore kugira amufate ku nguvu. Mugihe uwo yaboroga atabaza, umupolisi yarahunze asiga ikirwanisho ciwe gitorwa bukeye bwaho ku wa 12 Gitugutu 2025 na komiseri wa komine Matongo.

### *II.3. U BURENGANZIRA KUMWIDEGEMVYO*

Ingingo ya 21 yo mw'ibwirizwashingiro ry'uBurundi irarekurira uburenganzira bw'umwidegemvyo hamwe n'umutekano ku muntu.Ivuga ko "Nta numwe ashobora guhagarikwa canke gupfungwa biciye kubiri n'amategeko."Igitabo mpanavyaha c'uBurundi kirakwirikira uko umuntu apfungwa ivy'agateganyo kandi kigategekanya n'ivyishingizi kugira barwanye ugugagarikwa hamwe n'ugupfungwa biciye kubiri n'amategeko.

#### *II.3.1. UGUHAGARIKWA HAMWE N'UKUBOHA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*




Kuri yose, amahagarikwa 5 yakwije abantu 4 baharurwa ku butaka bwose mu kiringo ca kino cegeranyo. Intara ya Bujumbura yaharuye abantu 40. Intara Burunga na Butanyerera imwe imwe abantu 4.

Kuri izo ncuro 5, incuro imwe vyakozwe n'igendereza ry'igihugu hanyuma incuro 4 zindi zegukira abapolisi.

**Ubururerero buvyerekana :**

**Ak1 :** Ku wa 20 Gitugutu 2025, umutumba Bushasha,komine Kirundo, intara ya Butanyerera, umunywanyi wa CNL ibaba rya Rwasa Agathon yitwa Muhigirwa Theogene, umurezi kw'ishure rikuru Kanyinya yarahagaritswe na komiseri w'intara y'igipolisi aca arapfungwa  mw'ibohero ry'inyamira mabi mu Kirundo yagirizwa guryosharyosha  abakobwa bo kw'ishure ariko yamaze imisi 5 mw'ibohero atacagiriji kubera yasaba ko bozana abakobwa vyega ariko nta n'umwe yanabarengukishije aca ararekurwa atagisabwe.

**Ak2 :** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 8 Gitugutu 2025 ivuga ko ku wa 4 Gitugutu 2025, abavugabutumwa Bizimana Thierry, Bigirimana Zabulon na Harushimana Gedeon barahagaritswe n'abapolisi.

Ku bwo ivyabona, amatati hagati yabo ahuza ababwiriza n'abigisha b'ishengero rya Pentekoti, bigabuye haraciye igihe mu migwi 2 uwo iKiremba hamwe n'uwo mu Kayogoro inyuma y'urupfu rw'umubwiriza mukuru Ndikunkiko Elie, bita kandi umwitanzi mukuru, ageze habi.

Kuri uwo wimana, umugwi w'abavugabutumwa 3 bo mu gisata ca Kiremba, bakukira ku gice ca Cunamwe ku mutumba Mugina, aho abayoboke bafukamye kugira basenge musi y'ihema rimanitse ku kivi c'ishengero rya pentekoti ya Kiremba, barahagaritswe hafi igihe c'isaha 1 n'iminuta 15 n'umugwi w'abapolisi bakoreye ku metegeko ya komiseri wa komine w'igipolisi ari mu Mabanda. Abavugabutumwa babajanye ahakorera inyamiramabi Fabrice kumvo z'amatohoza.

Ubwo nyene, komiseri yabamenyesheje ko aho hantu hari ah'ishengero Pentekote yo mu Kayogoro kandi ko badafise uburenganzira bwo kuhakorera ibikorwa vyabo vy'ishengero, naho berekanye ibiharanga vyemewe n'amategeko. Akagwi gatoya k'abayoboke barabaherekeje gushika mw'ibohero imbere yotaha iwabo hafi igihe c'isaha 12.

Bukeye bwaho, abakozi b'igendereza bo muri komine Nyanza baragiye mw'ibohero kugira barabe ivyo ari vyo. Haciye igihe, uwundi mugwi w'abayoboke barongowe na mwigisha Pierre, igisata ca Kiremba, yazindutse muri komisariya kuvugana n'inyamiramabi, yemeye kurekura abavuga butumwa yongera abarekurira gusubira kugira amasengesho atangorane.

Ibintu nk'ivyo vyaribonekeje ku mutumba Muyama, zone Buhema,aho amareresi akunzwe kurabwa yarandagase ku rubuga ngurukana bumenyi yerekana ibintu vy'akajagari birangwa n'iterabwoba hamwe n'icuka kibi hagati y'abayoboke b'iKiremba n'abo mu gisata ca Kayogoro.

Igipolisi carahagaritse kandi umuvugabutumwa Jean Bosco, yaraye mw'ibohero rya komisariya ya Kayogoro ku wa 4 Gitugutu 2025. Asohotse, ku musi wa mbere ku wa 5 Gitugutu, yararose ubutumwa bwo gusubira gutangura ibikorwa vy'amasengesho,inyuma yo kubaka n'amatafari urusengero rwabo, umushinge wamaze guhera, kugira bakinge gukoresha amahema.

Kubwo amasoko amwe amwe, inyuma yo kubaka n'amatafari, amacakubiri yabonetse muri iryo shengero akomoka ku butandukane bw'amoko, politike hamwe n'ubutunzi, vyatangujwe na bamwe mu barongoye igisata ca Kayogoro, muribo harimwo ababwiriza bakuru 2 b'ishengero rya pentekote ya Nyanza-Lac, bose uko ari babiri bavuka muri zone Vugizo kandi abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD. Abo rero boba base gukorana n'ababwiriza b'iKiremba, bagiriza ko bashizweho n'abayobozi bakera umubwiriza Madendo n'umubwiriza Ndikunkiko Elie.

## *III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA*

Uburenganzira ku butunzi, imibano n'imico kama, bizwi nk'uburenganzira bwo ku rugero rwa 2, biri mu masezerano mpuzamakungu araba ivyo ubutunzi imibano n'imico kama. Uburundi bwaremeje ayo masezerano ku wa 14 Ntwarante 1990 kandi buyashira mw'ibwirizwa shingiro ryabwo ryo muri 201, nko mu gace ka19. Ico ubwo burenganzira bwisangije n'uko bushirwaho bukebuke, bitandukanye n'uburenganzira bw'abantu no muri politike. Ibihugu vyayashizeko umukono, harimwo uBurundi, vyiyemeza gukorera kuri ubwo burenganzira bivanye n'uburyo buhari.

### *III.1. I HUNGABANA RY'UBUTUNZI*

Uburenganzura bw'ubutunzi mu Burundi bwarahungabanye bikomeye muri Gitugutu guheze, n'ibintu biteye amakenga. Ku wa 1 Gitugutu 2025, urumuri rw'amahoro rwaciye mu Buhumuza, bitera amakenga kuvyerekeye uburyo bwakoreshejwe muri ivyo, mugihe abanyagihugu babuze ivyankenerwa nk'igitoro hamwe n'isima ya BUCECO. Benshi bafata ko ubwo buryo bwokoreshejwe mu gufasha kwishura kuvyo abanyagihugu bakeneye.

Ku wa 5 Gitugutu, abarimyi b'ibigori iButanyerera baranegura itangwa ritanganisha ry'imbuto, hakaba ugukumira mu gutanga imbuto bikorwa n'abatware baho, nk'abazwi mu migambwe itavuga rumwe n'umugambwe CNDD-FDD. Iburunga, ibirego vyerekeye itangwa ry'imbuto zidakwiye PAB 53, vyiyongera ku mubabaro, hamwe no kwagirizwa kugira aka nkunzi ku barongozi bamwe bamwe kubera aho bahengamiye muri politike, ni ukuvuga abanywanyi ba CNDD-FDD.

Umubabaro mwinshi kuvyerekeye imbuto ziva hanze watumye abarimyi basaba ko hogaruka imbuto kama. Ariko rero, ubwoba bwo guhagarika mu masezerano y'urudandazwa vyerekana ko hoshobora kwaduka ikigoyi. Muri komine Cibitoke, abarimyi barirukanywe babagiriza gucudika n'umugwi w'abitwaje ibirwanisho (bagirizwa gukorana na RED TABARA), bigatuma basonza.

Naho bagerageje gutanga imbuto z'ibigori, abarimyi b'iMugina hamwe na Cibitoke baragira ingorane mu kugura izo mbuto kubera ibiciro binini. Abatware baho bagirizwa yo guhangika mu biciro bigasongera isibe. Mu gisata c'ubuvuzi, kunyuruza uburyo ku kigo c'ubuvuzi c'iMakamba cashize ku mugaragaro igiturire c'abatware, hamwe n'abantu 3 bahagaritswe kubera bivye hafi 1.000.000fbu. Ishavu riraniga mu banyagihugu, nko mu Kirundo muri Butanyerera aho ukubura umwavu vyagize ingaruka mbi ku mwimbu. Abarimyi, bugarijwe n'ubukene barafise uboba bwa kazoza. Imugina, mu ntara ya Bujumbura, urugendo rw'urumuri rw'amahoro rwarahungabanije ibikorwa vy'iterambere, bituma imiryango igira amakenga kuvyerekeye indero y'abana babo.

Mu Cibitoke mu ntara ya Bujumbura,indyane z'amatongo ya Reta yahoze yegukira ishirahamwe RUGOFARM zahindutse ingorane zindi zikomeye, vyerekana ukudahana ku barongozi barya ibiturire. Kuri ubwo, gukorana muri politike,ubutunzi hamwe n'ubuzima bwa misi yose mu Burundi vyashize ahabona ishusho y'umwizero w'imbonrka rimwe, nko muburyo bukenerwa kugira abanyagihugu babeho.

### *III.2. U BURENGANZIRA BW'INDERO*

Muri Gitugutu 2025, uburenganzira bw'indero mu Burundi bwarahungabanijwe cane n'ibintu vyinshi bikomeye. Ku wa 5 Gitugutu, kw'ishure rikuru rya komine Mwaro I yo mu ntara ya Gitega, inama yarahamagajwe n'umuyobozi Celestin aho yamenyesheje itegeko rishasha : umunyeshure yategerezwa gutanga 5 000 fbu kugira hagurwe imashini nyabwonko z'ishure. Iyo ngingo yatumye haba ukutumvikana hagati y'abavyeyi bari bahari, mugihe n'abanyeshure bo mw'ishure shingiro, kuva kera batari basanzwe bariha amahera y'ishure, bafatwa n'iyo ngingo. Abavyeyi bararwanije iyo ngingo, batuma urutoke kubura insiguro yayo. Twomenya ko hari haciye umwaka umushikiranganji w'ukumenyesha amakuru ahaye amamashini iryo shure zigaca zijanwa muri kaminuza y'iMwaro, bigatera ibibazo kwitunganywa ry'ubutunzi mu gisata c'indero.

Muri ako kanya nyene, ibintu bibabaje vyarabaye mu mashure shingiro y'intara ya Gitega, atagira ingwa, igikoresho kidahara mu vyigwa. Amakuru umuhari Iteka warose ku wa 5 Gitugutu avuga ko, n'aho ububiko buriho mu bizu vy'ububiko vyo mu ntara, itangwa ryazo

ntiriraba. Ivyo biraraje ishinga abavyeyi, kubera abigisha bagira ingorane mu gutanga ivyigwa mubihe nk'ivyo. Baribaza ukoivyigwa nk'ibiharuro vyoshobora kwigishwa batandika ku kibaho. Uko kubura ibikoresho vyaradugije ishavu, gushika aho abanyeshure bo mu mwaka wa gatandatu bagize urugamba nabo nyene kugira baronke ibikoresho, ivyasongeyeye isibe igisata c'ivyigwa.

Mu wundi mwihwezo, ku wa 6 Gitugutu, abanyeshure bo muri komine Bururi barahimirijwe kugira bakire urumuri rw'amahoro, bitaba ibikorwa vy'igihugu aho gukwirikirana ivyigwa. Iyo himirizwa ntiryaretse kuzana ishavu ku baharanira agateka k'abana, bateye ivyatsi ico gikorwa nk'uguhungabanya uburenganzira bw'indero.

Mu ntara ya Bujumbura, uruhagarara ruboneka rwarabaye kw'ishure shingiro Cuzwe, aho ibara ryaguye hagati y'abanyeshure b'abagatorika n'abuyobozi bw'ishure bw'abapentekoti. Ku wa 8 Gitugutu, abanyeshure bambaye amashapure babonye ibintu vyabo babibaka bongera babicagagura, bizana ishavu ku bavyeyi hamwe no mu bantu baho, biyamiriza ukutihanganiranira kuvy'idini atawovyemera. Umuyobozi w'indero muri komine yaremeye kugirisha inama kugira atange umuco.

Ingorane z'intwaro mu buyobozi bw'indero muri komine Ruyigi nabwo nyene bwarashizwe ahabona, mugihe ukutagira abigisha bakwiye bikora ubwonyene ku kanovera k'inyigisho. Abavyeyi barerekanye amakenga yabo kuvyerekeye ukutajuragirika kw'abana babo, bagasaba gusubiriza vyihuta. Mugusozera, uruhagarara ry'umutekano rwarabaye kuri kaminuza yegamiye idini rya Islam iMuyinga, aho ubuyobozi bwiyamiriza imigigwa yo kubohoza imikono kunguvu bikorwa n'abaserukira abanyeshure. Naho itohoza ryuguruwe, ibintu bitera bigorana kandi vyatumye ubuyobozi bwitegurira guhasha, bikaduza icuka c'umutekano muke.

Kuri ubwo, muri uku kwezi kwa Gitugutu, ibintu vyinshi mu Burundi vyarerekanye ibihengeri biteye ubwoba mu gisata c'indero, birangwa n'amahungabana bigaserura ko habuze uburenganzira shingiro ku ndero y'abana.

### *III.3. U BURENGANZIRA KU MAGARA*

Muri Gitugutu 2025, uburenganzira ku magara mu Burundi buri mu bintu biteye amakenga. Ikiza ca korera cakoze ku makomine Cibitoke na Bukinanyana, gihitana abantu 13 ku 480 bakirwaye, ku bwo umuhari Iteka. Umushikiranganji w'amagara y'abantu yiganye 479 bayisanganye hamwe n'abarwayi 9 bari mu bitaro. Ikiza, cavuzwe ku wa 4 Nyakanga, carandagase ku mitumba nka Marambo na Nyakagunda, aho baharuye 7 bahasize ubuzima. Naho ibintu vyateye vyunyuka, abarongozi baho basaba agacerere, batinya kugira ishusho mbi. Ako gacerere kavyara ishavu n'umubabaro mu bantu bahaba, bafata ko kunyegeza ukuri bibangamiye amagara. Amashirahamwe nk'iryo abaganga batagira imbibe hamwe n'iryo umusaraba utukura bagerageza gushigikira imigwi ivura, ariko ibintu vyaguma bigorana hamwe n'ibirego vyo gukuraho umwidegemvyo wo gushikiriza ivyiyumviro hamwe n'agacerere k'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike. Umuganga aramutswa akarere k'ubuvuzi yavuga ko gukoresha amazi mabi ariyo nkomoko yibonekeza, ariko kuronka amazi meza biguma bigoye. Naho hari agahengwe, ubwoba bwo kwisubiriza burahari mu mazone yakozweko, kenshi yinyegeje kandi akenye. Abahinga babona ko hashobora kuboneka imiryango mishasha ifatwa na korera naririya ata mazi meza hamwe n'isuku rikwiye, vyerekana ukunyoganyoga kw'igisata c'amagara mu Burundi, cane cane mu gihugu hagati.

Iruhande,ukubura amazi birabandanya mu ntara ya Burunga, bikora ku bitaro Anders Gahore hamwe n'amashure meshi. Abanyeshure hamwe n'abarwayi bigana ko kubura amazi

bibaruhishije, bigatuma gufasha indembe bitabaho. Abarongozi baho bigorera ivyo bihe bibi cane. Mu Ruyigi igwirirana riteye amakenga ryo gucibwamwo no kudahwa vyatuma bibaza bibaza ko ari ikiza kitamenyekanye, harimwo n'intahe zivuga ingorane zo kubura amazi, bigakomeza ubusumbasumbane hagati y'amakaratiye. Mu Kizuka, abagwaye korera baragwiriye, bigasongera isibe amagara y'abanyagihugu, kenshi bvuvudikira gukoresha amazi mabi.

Mu bitaro Saint-Augustin vy'iGihanga, abajejwe amagara y'abantu barapompa amazu y'abarwayi, ariko kubura amazi meza vyabera intambamyi utwigoro two kwikingira. I Burunga, imihango yo kuvugwa ku buntu yononewe n'ibitaro vyuzuye abantu hamwe n'abaganga barengewe. Ubusumbasumbane hagati y'amajambo ya politike hamwe n'ibihari bikorwa biragwiriye, bikerekana ukunyuka kw'igisata c'ubuvuzi kigeze ahatemba. Intahe z'imiryango n'abavuzi zerekana ko hakenewe ubufasha bwihuta bijanye.

Mu gusozera, mu Kirundo,ibitaro biri mananiza, bibuze imiti hamwe n'ibikoresho vyankenerwa. Abavuzi bafise amakenga,kandi imihango y'abarongozi bisa n'uko atakirimwo. Izo ntahe zerekana ishusho riteye amakenga ry'amagara y'abantu mu Burundi, biserura intambara z'abanyagihugu bahura n'intambamyi z'ibitaro, amazi hamwe n'utuzu twa Surwumwe.

## *IV.UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA*

Muri kino kiringo ca kino cegeranyo,itituka ry'agateka ka zina muntu riguma ryibonekeza mu mihingo itandukanye y'igihugu.

Ico cegeranyo cerekana aho uburenganzira bw'ubuzima bwahungabanye;ukwiyumvanamwo hamwe n'umwidegemvyo; uburenganzira bw'ubutunzi, imibano hamwe n'imico kama.

Ico cegeranyo gitororokanya kandi ibibazo bijanye n'umutekano hamwe n'ishusho ya politike, ubutungane, ugufashanya hamwe n'ibidukikije biri mu gihugu.

Kiragaruka kandi ku burenganzira bw'abantu no muri politike hamwe n'uburenganzira bw'ubutunzi, umubano n'imico kama kuvyerekeye ihungabana ryabwo kandi kikerekana amakenga yabwo. Umuhari Iteka uridogera ukudahana kuri ayo mabi aboneka kandi usaba ibikurikira:

**Kuri Reta y'uBurundi:**

1. Kubahiriza agateka ka zina muntu,nk'uburenganzira bwo kubaho,ukubahana hamwe n'ubwigenge.

2. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe no guhasha abakora amabi ajanye n'ihohotera ry'agateka ka zina muntu.

3. Gukwiragiza ubufasha shingiro,harimwo,amazi,amagara,indero hamwe n'ubutungane,ku banyagihugu bose.

4. Gufata ingingo zihuta kandi zikenewe zo kurwanya ikiza ca korera kiriko kirarandagata mu mihingo itandukanye y'igihugu cana cane mu ntara nini ya Bujumbura.

**Kw'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Buraya hamwe n'abandi bafasha mu buhinga n'uburyo mu Burundi :**

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu mu gutohoza amabi kugateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha mu kugondoza abarongozi b'uBurundi kugira bubahirize agateka ka zina muntu bongere barandurane n'imizi ukudahana.